
Bibiliya y'Abana

Ishikirije

# Ingendo zitangaje za Pawulo



Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Janie Forest; Alastair Paterson

Itunganywa na: Ruth Klassen


Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org


©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.



Pawulo na Sila, abakozi ba Yesu, bari mw'ibohero. Oya, ntakibi bari bakoze. Ahubwo bari birukanye idayimoni m'umugore. Bari beretse abantu b'i filipi, basenga ibigirwamana, ubushobozi bw'Imana nya mana n'umwana wayo Yesu.




Kubera ivyo, barababafashe, barabakubita, babashira no mw'ibohero.




Murashobora kwiyumvira ko Pawulo na sila bari bashavuye kandi barimwo umururazi, ariko siko bari bameze. Mubisanzwe, mugicugu, bari bicaye, baririmba amatazirano bahimbaza Imana! Izindi mbohe zose n'umukuru w'ibohero bose barabumva.

3

Giturumbuka, indirimbo irahagarara. Imana ituma haba nyamugigima, inyiganyiza ibohero. Imiryango y'ibohero yose iriyugurura. Iminyororo yari ibaboshe iracika.




4




Oh! Umukuru w'ibohero yari azi neza ko abanyororo bose batorotse ibohero muri ukwo kuzazanirwa. Hagize n'umwe atoroka ibohero, igihano c'uwo mukuru w'ibohero kwari ukwicwa. Yataye umutwe, uwo mukuru w'ibohero asokorora inkota yiwe. Yari yumva igisigaye ar'uko yokwiyahura.

5

Ariko Pawulo aramubwira ati: "Ntiwigirire nabi, kuko turi hano." Uwo mukuru w'ibohero abonye ivyo, arabaza ati: "Nokora iki kugira ngo nkizwe?" Baramwishura bati: "Wizere Umwami Yesu, urakizwa, wewe n'abo m'umuryango wawe." Yuzuye umunezero, umukuru w'ibohero aca arizera.




6




Babarekuye k'umusi ukurikira, Pawulo na sila baca baja mubindi bisagara, babwira abandi bantu ivya Yesu. Abantu bamwe barizera, abandi bagashaka kubica. Ariko Imana yarikumwe n'abakozi bayo. Ijoro rimwe, pawulo avuga ubutumwa amasaha ane yose. Umuhungu umwe yari yicaye mw'idirisha, kandi yariko arisinzirirako. Murashobora kwiyumvira ivyaciye bishika.


7


Uwamubona wese yibaza ko uwo muntu yapfuye. Ariko pawulo aramanuka, amufata ukuboko, aravuga ati: "Ubuzima bwiwe buracamurimwo." Aca asubiza m'ubuzima uwo muhungu, bose baca baranezerwa cane.





8


Pawulo na Sila babaye mubikorwa vyishi kandi bagize ingendo n'i bulaya. Mubihe bikomeye vyashikiye pawulo harimwo ivyamushikiye ari mubwato. Ntibwari ubwato bukozwe muvyuma bikomeye cane, ariko bwari ubwato bukozwe mubintu bisanzwe kandi bwariko buzugazungishwa n'igihuhusi c'umuyaga.
9


Pawulo yari mubwato kuko yari yasubiye gufatwa. Yategerezwa kuja kuburana imbere y'umutware w'i Roma, igisagara cari umugwa mukuru w'isi. Imiyaga ihuhuta cane n'imipfunda vyariko bizugazungisha ubwato. Cabaye ikigeragezo gikomeye kuri pawulo n'izindi mbohe zarikumwe nawe, no kuvyo bari bafise m'ubwato.
10



Pawulo abarira abo barikumwe ati: "Bantu mwe, mpishuriwe ko ururugendo ruzobamwo icago". Ariko uwutwara ubwo bwato ntiyamwumviriza. Aca aboha ubwato n'imigozi ikomeye yiyumvira ko ubwato butazomeneka. Bitagenze uko, ikiyaga cagira kibe imva yabo bose.
11


Ubwato bwabandanije buzungazungishwa n'umuyaga n'imipfunda gushika aho uwubutwara yasavye abari baburimwo ko umwe wese yogira ico akoze kugira ngo aremurure ubwo bwato. K'umusi ugira gatatu batangura kwikurako ivyo bari bafise vyose.
12


Mw'ijoro, umumarayika yaje imbere ya pawulo, aramubarira ko vyose bizogenda neza. Abandi barasubiyemwo intege bumvise pawulo ababwiye ati, "Muhumure, kuko ndizera Imana ko bizogenda nk'uko yabibwiye. Ariko ubwato buzomenekera mukiyaga."
13


Haheze imisi mikeyi, ubwato buca bumenekera mukiyaga mw'izinga. Buca kugonga ibitandara vy'amabuye. Uwatwara ubwo bwato aca asaba abazi kwoga mumazi ko bova m'ubwato bakoga kugira ngo barabe ko boshika imusozi. Abandi barashoboye kuva mukiyaga bakoresheje imbaho zari zikoze ubwo bwato.
14

I malite, Imana yerekana ububasha bwayo. Mugihe umwe wese yariko atoragura udukwi kugira bacane umucanwa bote, pawulo yaciye aribwa n'inzoka y'imamba. Abantu bibaza ko aca apfa. Ariko iyo nzoka ntaco yamugize. Abantu baca batangura kwiyumvira ko pawulo yoba ari imana. Abarwaye beshi baraza kandi pawulo abasengeye Imana ikabakiza.




15

Impera n'imperuka, pawulo arashika i Roma. Yamaze imyaka ibiri hanyuma abona kwumvirizwa imbere ya sentare ica imanza. Muri ico gihe, pawulo yaciye akotesha inzu akaza arakira abamugendera. Murazi ico pawulo yaganira n'abaza kumuramutsa? Baganira ivy'ubwami bw'Imana, ivy'Umwami Yesu Kristo nk'uko yabikora no Muzindi ngendo yagira.



16

Pawulo yaranditse ati: "Narwanye intambara nziza, narangije urugendo, nagumije ukwizera". Bibiliya ntitubwira iherezo ry'ubuzima bwiwe, ariko izindi nzandiko zivuga ko pawulo yaciriwe umutwe i Roma kw'itegeko ry'umutware Nero. Pawulo yapfuye nk'uko yabayeho, ari umukozi w'Imana w'umwizigirwa, yabwira abandi ivya Yesu Kristo.



17

Ingendo Zitangaje Za Pawulo

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Ivyakozwe n'intumwa 16, 27, 28

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

18




59 60

19

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16

20